# Mu vy'ukuri, jewe nzoba ndi ku rugomero ndindiriye gusanganira uwuza kurunywako muri mwebwe. Hari abantu bazobuzwa kunyegera, nce mbaza mvuga nti: "Ewe Mana yanje Rurema! Abo bari mu bankurikiye, bari mu bo narungitsweko

Mu vyakiriwe na As-maa-u umukobwa wa Abu Bakari (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Mu vy'ukuri, jewe nzoba ndi ku rugomero ndindiriye gusanganira uwuza kurunywako muri mwebwe. Hari abantu bazobuzwa kunyegera, nce mbaza mvuga nti: "Ewe Mana yanje Rurema! Abo bari mu bankurikiye, bari mu bo narungitsweko! Nce nishurwa nti: "Mbega none, woba uzi ivyo bakoze mu nyuma zawe? Kw'izina ry'Imana Allah! Ntibahengeshanije kuguma basubira inyuma nk'ibirenge""".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora ko ku musi w'izuka, azoba ari ku rugomero rwiwe kugira arindire abaza bamugana mu bo yarungitsweko; kugira abanyweshe kuri nya rugomero. Hari abantu bari hambavu y'aho (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) azoba ari bazobuzwa kumwegera, aheze avuge ati: Ewe Mana yanje Rurema! Abo bantu bari mu bankurikiye, bari mu bo narungitsweko! Hazoca humvikana ijwi rivuga riti: "Mbega waramenye ivyo bakoze mu nyuma zawe? Kw'izina ry'Imana Allah! Ntibahengeshanije kuguma basubira inyuma nk'ibirenge, maze bava mw'idini ryabo. Abo rero, ntibari mu bagukurikiye, eka ntibari no mu bakurikiye uburongozi bwawe mu bo warungitsweko.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee